# ITANGAZO

Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu biri n'iteka ryo kumenyesha urugendo rw' Umukuru w'Igihugu Nyenicubahiro NDAYISHIMIYE Varisito ruzomushikana mu gihugu ca Guinée Equatoriale.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ari kumwe n'Umutambukanyi wiwe Nyenicubahiro NDAYISHIMIYE Angéline, bitezwe i Malabo kuri uyu wa mbere igenekerezo rya 2 Munyonyo 2020.

Urwo rugendo rw'imisi itanu muri ico gihugu, ruzoha akaryo abo Bakuru b'ibihugu uko ari babiri, ko gukomeza imigenderanire yari isanzwe ari myiza cane hagati y'Uburundi na Guinée Equatoriale.

Bigiriwe i Bujumbura, Ku wa 02 Munyonyo 2020

*Ibiro bijejwe amakuru Kwa Ntare Rushatsi*